# Iyo muba mwama mwishimikiza Imana Allah mu vyo mukora ukuri kw'ukuyishimikiza, ni ukuri Yobaronkeje ibibabeshaho bikwiye nka kurya Ironsa inyoni ibizibeshaho bikwiye, aho ubona zizinduka zikagenda zishonje, zagaruka naho zikagaruka zihaze, amabondo yafoye

Mu vyakiriwe na Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Iyo muba mwama mwishimikiza Imana Allah mu vyo mukora ukuri kw'ukuyishimikiza, ni ukuri Yobaronkeje ibibabeshaho bikwiye nka kurya Ironsa inyoni ibizibeshaho bikwiye, aho ubona zizinduka zikagenda zishonje, zagaruka naho zikagaruka zihaze, amabondo yafoye".

[صحيح] [رواه الإمام أحمد والترمذي والنسائي وابن ماجه وابن حبان في صحيحه والحاكم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) araduhimiriza ko twishimikiza Imana Allah Nyeniteka n'icubahiro nta ngere, mu kurondera ibidufitiye akamaro, no mu kwikingira ibitubangamiye mu vy'isi no mu bijanye n'idini; kuko ata wutanga canke ngo yime ikiremwa ikintu, eka nta n'uwugeramira canke ngo agire ico amariye ikiremwa atari Imana Allah Nyenukuninahazwa Nyenuguhabwicubahiro nta ngere; aranaduhimiriza kandi ko twita ku rutare mu gukora ibituma turonka ibitugirira akamaro n'ibidukingira ivyotubangamira, ivyo bigaheza bikajana n'ukwishimikiza koko Imana Allah, igihe cose rero dukoze ivyo, Imana Allah Iraheza Ikaturonsa ibitubeshaho nka kurya Ironsa ibibeshaho inyoni zigenda mu gitondo zishonje, hanyuma zikagaruka ku mugoroba zihaze, inda zafoye. Ukwo kuntu rero inyoni zibigenza, ni kimwe mu mpamvu z'ukurondera icozibeshaho, ata kurera amaboko ata n'ukunebwa birimwo.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee